# Mu vy'ukuri, Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo Barazaririje kugurisha inzoga, kwihereza intumvyi n'ingurube, hamwe rero n'isengwa ry'ibigirwamana

Mu vyakiriwe na Jaabiri mwene Abdullaahi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko yumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iri i Makka mu mwaka w'ihabuzwa ry'igisagara ca Makka, ivuga iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo Barazaririje kugurisha inzoga, kwihereza intumvyi n'ingurube, hamwe rero n'isengwa ry'ibigirwamana". Maze umuntu umwe mu bari aho aca avuga ati: "Ntumwa y'Imana! Ubona gute mu gihe ibinure vyokurwa ku ntumvyi! Mu vy'ukuri, ivyo binure birakoreshwa mu gusiga ku mbaho zikoreshwa mu kwubaka ubwato, bigasigwa no ku nsato kugira zorohe, eka n'abantu nyene baravyisiga, vyoba birekuwe?". Intumwa ica yishura iti: "Ihibambewe! Ivyo binure kirazira kuvyikorako". Hanyuma ico gihe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaciye ivuga iti: "Abayahudi barakicwa n'Imana Allah! Ni ukuri, igihe Imana Allah Yaziririza ibinure vy'intumvyi ku bayahudi, barabihinguye baca baravyikorako mu kubigurisha, hanyuma bafungura igiciro cavyo".

[صحيح] [متفق عليه]

Jaabiri mwene Abdullaahi (Imana Allah Ibishimire bompi) yarumvise Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari i Makka mu mwaka w'ihabuzwa ry'igisagara ca Makka avuga ati: Mu vy'ukuri, Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo Barazaririje igurishwa ry'inzoga, ukurya intumvyi n'ingurube, hamwe rero n'ugusenga ibigirwamana; maze umwe mu bari ng'aho aca avuga abaza Intumwa ati: Ewe Ntumwa y'Imana! Mbega vyoba birekuwe ko tugurisha ibinure bivuye ku ntumvyi? Kuko mu vy'ukuri, birakoreshwa bigasigwa ku bwato bwunguruza abantu, bigasigwa no ku nsato, bikanakoreshwa n'abantu mu kwatsa amatara, Intumwa ica yishura iti: Ihibambewe! Ntibirekuwe. Ukubigurisha kirazira kikaziririzwa. Hanyuma ni ho (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaca ivuga iti: Burya Imana Allah Yahoneje abayahudi Yongera Irabavuma. Mu vy'ukuri, igihe Imana Allah Yaziririza ku bayahudi ibinure vy'ibitungwa, baciye babiyaza birayonga, maze baca bagurisha amavuta yavyo, baraheza bafungura igiciro cavyo".